REPUBURIKA Y'UBURUNDI
IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU
KWA NTARE

# IJAMBO RISHIKIRIJWE NA NYENICUBAHIRO UMUKURU W'IGIHUGU KU MUSI WO KWIBUKA IMYAKA 59 UBURUNDI BUMAZE BWIKUKIYE



Nyenicubahiro Evariste Ndayishimiye

Bujumbura, ku wa 1 Mukakaro 2021

***Barundi, Barundikazi,***
***Bagenzi b'Uburundi,***

1. Imbere ya vyose, twagira tubanze dushimire Imana Mushoboravyose yadushikanye kuri uyu musi mukuru uhambaye mu mateka y'Igihugu cacu turi mu mahoro n'umutekano, turangura ibikorwa bitsimbataza intahe y'ukwikukira.
Nihabwe icubahiro.

***Barundi benewacu!***

2. UKUZIRIKANA URUHARA RW'UMWENEGIHUGU MU BUZIMA BW'IGIHUGU, UKABIGENDERA, NI WO MUSHINGE W'UKWIKUKIRA.
Ejo, aho bukera, igenekerezo rya 1 Mukakaro, tuzoba twibuka kandi duhimbaza mu kanyamuneza kenshi imyaka 59 irangiye Igihugu cacu gihabuje intahe y'ukwikukira.
Iryo genekerezo ryabaye intibagirwa mu mateka y'Igihugu cacu,ritwibutsa vyinshi kuko twahabuje intahe twarapfunywe, twarahavye imyaka irenga 65 abakoloni baduhonyoye ku gakanu.
Muca mwumva ko twikukiye abari bazi neza amateka yaranze Igihugu cacu baramaze gusezera isi, basiga abasigara barirondera mu muzi wabo kugira bitunganirize kazoza k'Igihugu.
Uyu musi rero ni umusi udasanzwe k'umwenegihugu wese, ni umusi wo kuzirikana no gusubira kwibuka uruhara Intwari z'Uburundi zagize mu rugamba rwo guhabuza agateka kacu, kugira ngo natwe Abarundi twitunganirize ivy'igihugu twishira tukizana.

3. Twigina rero uwa mbere mukakaro, twongera dusuzuma intambwe dushitseko mu gushigikira intahe y'ukwikukira no mu gutahura, kuzirikana no gukunda Igihugu, mbere bibaye ngombwa tukacigura nk'uko incungu y'Uburundi, Umuganwa Rudoviko Rwagasore n'abo bafashanya batubereye akarorero.

Ni co gituma twashimye guhimbaza imyaka 59 iheze turonse intahe y'ukwikukira ku civugo:
« Ukuzirikana uruhara rw'Umwenegihugu mu buzima bw'Igihugu ukabigendera, ni wo mushinge wo kwikukira».

***Barundi, Barundikazi,***
***Bagenzi b'Uburundi,***

4. Ukugarukana intahe n'agateka k'Umurundi kwabaye ukwiganzura uwatuganje, turanka akagaye n'agacinyizo k'abanyamahanga mu gihugu cacu, turerekana ko Igihugu ari icacu, ko ari twebwe dutegerezwa kucitunganiriza muri vyose na hose ku nyungu z'umwenegihugu wese.

5. Imbere yo gusuzuma uruhara rwacu mu buzima bw'Igihugu, tubanze turabire hamwe ingaruka mbi zakwirikiye intwaro z'abanyamahanga.
Tumaze kubitahura, biroroshe cane ko tumenya ingene twokwifata mu kwubaka Igihugu c'iteka n'itekane, Igihugu cubashwe imbere y'ayandi mahanga.
6. Ico twotahura kumwe, ni uko abakoloni bamaze gushika mu Burundi, ata yindi ntumbero bari bafise atari ukutunyaga Igihugu cacu n'itunga ryaco.
Ni co gituma baje bafise amanyama menshi, bakarengera ku Barundi injojo bakababagandagura. Igihugu bagiye kugifata neza na neza mu 1903 inyuma y'imyaka indwi y'urugamba, igihe Umwami MWEZI Gisabo yishikana mu maboko yabo agatanga ubutegetsi, bagatako bakamugerekako n'ihadabu y'inka 424 no kubohera Abarundi ku bikorwa vy'umuruho.
Kuva ico gihe Abarundi baciye bagirwa abashumba mu gihugu cabo c'amavukiro.

7. Muri ivyo bitero vy'abadagi, mwomenya ko bakoreye Abarundi ivyaha vyo mu ntambara kugira ngo bace inkokora Abarundi, bahahamuke, gurtyo ntihagire n'uwuzosubira gucutsa

umutima wo kugambarara itegeko rivuzwe n'umukoloni.
Badutesheje vyishi rero:

8. Ubwa mbere batunyaze Igihugu n'itunga ryaco ryose barigira rwabo, baca barondera n'ingene badukurako n'ubwenegihugu kugira ngo batwonkore kuri co.
Kugira babishikeko, baduhinduriye ubwoko ku nguvu, aho kwitwa Abarundi ducika abahutu, abatutsi n'abatwa, mbere bakavyandika no kuri karangamuntu, babanje gupima ibihimba vy'umubiri.
Ivyo vyose babigize mu ntumbero yo kutwereka twebwe Abarundi ko ataco dupfana, ahubwo ukamengo umwe wese afise amamuko yiwe, ko ataco Abarundi basangiye.

9. Ingaruka vyatuzaniye kwabaye ukwibagira ca gihugu catuvyaye, turacanka mbere turacankiriza, n'ubu ako kagwara hariho Abarundi bataragakira naho basigaye ku rushi.
Tumaze kwanka Igihugu catuvyaye nta kindi cari gisigaye atari ukwanka kugikorera, ahubwo aho kucubaka tukagifutanya.

10. Ica kabiri abakoloni badutesheje, ni ukudukuramwo umutima wo kwubaha inzego.
Mu Kirundi tuvuga ko impehensa ari ingabo zitagira umutware. Kugira basambure iri hanga ry'Abarundi, bari bazi ahababaza: kudukurako umutware.
Mu Burundi, Umwami yari igiti kiturirwa kuko ni we yari umuhuza w'Abarundi n'Imana, na cane cane ko mu Burundi, twese twari dufise ukwemera kumwe.
Umwami yari Sebarundi kuva yimitswe, Abarundi bakamwubaha kuko mu muco wabo, bari bazi gusonera uwubaruta na cane cane umuvyeyi.

11. Abazungu bamaze gushika baratoteje Umwami, mbere barahakwa kumwica iyo hataboneka intwari BIHOME ngo amwigure.

Umwami baramushinyagurije mu maso y'abana biwe ari bo Barundi kugira bate icubahiro n'ivyizigiro bari bafitiye uburongozi bw'Igihugu.

12. Kubera ivyo, mu Burundi abakoloni bararanduye mu karangamutima k'Umurundi ijambo ngenderwako: "IKIZIRA", bose baca bifata nka ba bugabo bwigaba, badafise ico bategerezwa kwinengesera.
Barataye ibintu vyose vyiza vyaranga Umurundi nko gusonera ikiremwa muntu.
Abarundi kuva kera bari bazi ko umuntu ari katihabwa, atangwa n'Imana kandi baramukunda, bakamubungabunga.
Mbere kubera uwo mutima w'ubuntu, n'udukoko dutoduto baradusonera, bakemeza ko uwutugiriye nabi aba agiriye nabi umuntu. Mwumve namwe! ngo uciye umuserebanyi umurizo, nyoko aca acika amabere! Ivyo vyose kugira umwana akure asonera ikinyabuzima cose.

13. Kubera rero gutwarwa ku mukazo n'umunyamahanga tudasangiye imico n'imigenzo, twaratay imico n'imigenzo, turata ibanga kandi naryo ari ryo ryubaka Igihugu.
Akarorero ntikari kure, nta mwana yararaza ibibera mu muryango, ariko ubu n'abagabo barararaza abo bubakanye mu rukinja kandi ari bo ba Serugo.
Abarundi barasabira ibihano igihugu cabo nk'uko umengo ni abanyamahanga ata n'incuti bagifisemwo.
Ivyo vyose ni ingaruka z'intwaro ya gikoroni.

14. Kubera izo ntwaro nyene, Abarundi barataye ubwenge canke ni kwaba atari uguta ubwenge naho, barataye umuzirikanyi.
Abakoloni bataraza, Abarundi bari bashitse ku rwego rukomeye mu bijanye n'iterambere ry'ubuhinga. Barahingura ibikoresho bakeneye mu butare ariko aho abakoloni baziye ubwo bwenge bwaciye buyama, umengo ntawugifise n'umutima wo kurondera

ibintu bishasha ari mu Burundi.
Ariko tubitahure, kumwe abafilistiya babuza abanyisirayeli gucura amacumu n'inkota ngo babagabanye inguvu (soma muri 1 samueli 13:19), inyuma y'imyaka indwi Abarundi bamaze bahanganye n'abadagi, abo badagi nta kindi bari gukora atari ukubanza gusambura amahinguriro y'ibigwanisho mu Burundi.

15. Uretse n'ivyo, ubukoloni ntaco butadutwaye kuko no kubana nk'abavukanyi vyaciye bigenda amazimayongo.
Kera twavuga ngo umubanyi ni we muryango, ngo bapfana iki barutwa na bamariraniye iki; ivyo vyose kugira batsimbataze umutima wo gukundana na bose kiretse imburakimazi.
Ndetse no mu gukinga amabi ashobora gutosekaza umubano mwiza hagati y'abantu, Abarundi bavuga bati: "Uraziguriza zose ntuzi uruzokwera kare"; bisigura ngo: Uratunganiriza bose kuko ntuzi uwuzotangura kugusubiriza mu nkoko; ntiwizere umwe gusa, izere bose.
Muri iyo mibano nyene, bari bazi gutahurana mu matati bati: "Ntazibana zidakubitana amahembe" kugira umuntu atahure ko "ahari abantu hama urunturuntu" mugabo ko "Intibagira itabana" mu ntumbero yo gusubiza hamwe batase.
Abarundi bari bazi kandi no gutatura amatati hagati yabo kuko bari bazi ico ari co umugabo.
Hageze amatati hagati y'abantu, abagabo barahaseruka kuko bavuga ko ahari abagabo hatagwa ibara, kandi ngo: "Kananira abagabo ntiyimye", mu ntumbero yo kwubaha iryo abagabo bashinze. Kandi niyo ingingo bashinze utayemeye, Umurundi yavuga ko atagaye abagabo, agaye urubanza.
Ndetse naho vyaba bigoye bavuga bati: Urahabera umugabo.
16. Aho nciye ku mayange kugira ngo mwumve mwese ingene ubukoloni bwadusamburiye Igihugu cacu gushika naho bukitwibagiza, turahinduka twibera nk'uduhushi twa bayerera tutakigira igihugu. Harageze mbere n'igihe Abarundi umengo ntibagira iyo bava n'iyo baja, dusambuka gushika mu ntimatima

y'akarangamutima karanga umurundi.
Niho havuye guta Ubuntu bw'Umurundi no guta ubwenegihugu.

***Barundi,***
***Barundikazi,***
***Bagenzi b'Uburundi***

17. None uno musi habuze iki ngo twivyukiranye?
Ubwa mbere bwobwo twese tuvuga ko abo bakoloni batakituri ku gakanu, ni co gituma dutegura uyu musi mukuru.
Ubwo turabimenya vy'ukuri ko twasubiranye ya ntahe yacu ku buryo tugira igihagararo mu makungu?
Ico mwomenya, nk'uko abakera babivuga, ubugabo burihabwa. Kandi umutima w'umuntu ni wo werekana ico ari.

18. Ubu ni igihe co kwivyukiranya, tumenye ico turi n'uruhara rwacu kuri kazoza k'Uburundi. Kandi twamize ku muzirikanyi ko, nk'uko Sogokuru wacu Petero NKURUNZIZA atahengeshanya kubivuga, nta wundi azoza kutwubakira Uburundi atari twebwe nyene, kanatsinda uwo twokwibaza ko yobutwubakira nawe arifitiye igihugu ciwe ahamagariwe kwubaka; ni tuze turatahura.

19. Ni co gituma intambwe ya mbere dutegerezwa gutera twese ari iyo kwemera ko ubwenegihugu bwacu atari ubuhutu, ubututsi canke ubutwa, turi beneburundi, turi abenegihugu b'Igihugu c'Uburundi, turi Abarundi. Imiryango iza inyuma y'Igihugu.
Hanyuma tumaze kuvyemera ni ho duca dusuzuma tukongera tukazirikana uruhara rwacu natwe mu kwubaka Igihugu.
Kugendera ubwenegihugu niko karangura katwerekana neza imbere y'ayandi mahanga, kuko aho uciye bakuravye inyifato baravuga bati: urya tumwihweje, ni Umurundi.

20. Ubwa kabiri, ntitubidehe, tuvyemere uko, kuko ni vyo: Uburundi ni Igihugu c'isezerano, Imana yasezeraniye Abarundi.

Umurundi wese n'ategere neza ko ico gihugu ari rwiwe, nta n'umwe afise uburenganzira bwo kukimugundako, yaba Umurundi mwenewabo canke umunyamahanga.

Ego birababaje kubona uno musi Umurundi ariko yigishwa kuba umwenegihugu, ariko ikintu cose kirafise umwanya waco.
Nta mwanya twari bwaronke wo kubimenya kuko uwabivye urwanko hagati y'Abarundi yagumye atunye kw'irembo, yambira, yenyegeza kugira arondere uwataye ubwenge yigarurira; mbere sinobideha, no kuvumbika yaravumbitse kugira ngo ako karanda k'urwanko hagati y'abonse rimwe kandukire n'inzukuru zizokurikira, uwanduye agaca yandukiza umuryango, ikibano…

21. None rero, Igihe tugezemwo ni igihe ciza, igihe co kumenya ikibi n'iciza.
Reka rero twigishanye kugira iyo ntahe yacu twahabuje ntidupfeko ubusa. Umurundi wese abe ibuye ry'ifatiro ryo kwubaka Igihugu camuvyaye.

22. Muramaze kwumva abidodomba ngo naho abakoloni batashe iwabo bagumije ikirenge muri Afrika.
Nagira ndababwire! Iyo umuntu aguhenze ubwa mbere ukavyemera igicumuro ni ic'umubeshi. Iyo akubeshe ubugira kabiri ukavyemera, uradendekeranya igicumuro kikagira uwakubeshe. Ariko bubaye ubwa gatatu, akaguhenda ukemera, icaha aba ari wewe cagira.
Ni co gituma umwenegihugu wese afise uruhara nta ngere kugira ngo dushikire vy'ukuri ku kwikukira nyakwo. Erega, umwenegihugu ni we yiyubakira Igihugu kandi ni we nyene cubakiyeko.

23. Mu vy'ukuri, mu bisata vyose vy'ubuzima bw'Igihugu, umwenegihugu afise uruhara rudasanzwe kugira ngo bikunde Igihugu gitere kija imbere, haba mu gisata ca politike, mu butunzi, mu mibano n'ibindi.
Ivyokorwa vyose mu gihugu bidafatiye ku mwenegihugu ntaco

vyoba bimaze kandi nta n'intambwe vyotera kuko vyoba vyubakiye mu kirere.

24. Dufatiye ku mategeko, ni we yubakiyeko, politike irongora Igihugu ni we ayitora.
Mu bijanye n'ubutunzi n'iterambere ni we akora kugira ngo abeho, yiteze imbere ateze imbere Igihugu. Na none mu Burundi twarabitoye:
"ITERAMBERE RIKOMOKA KU MWENEGIHUGU RIKONGERA RIKAMUGARUKAKO", abarimye ibigori barabonye akarorero ka mbere.
Dutegere ko umwenegihugu ari we shingiro rya vyose kuko n'ibwirizwa nshingiro rya Repubulika y'Uburundi rirabishimangira riti: " Abenegihugu ni bo soko ry'ubutegetsi mu gihugu".
Ni wemera rero kugendera ku karangamutima k'umunyamahanga, ntagisivya, azokuyoborera iyo ashaka.

25. Ukwikukira nyakwo rero, kurangwa n'uko ata nzitizi na zimwe zituma umwenegihugu atiyumva mu gihugu ciwe. Ni umwana mu muryango, n'iyo acumuye vyose biherera mu muryango kuko nk'uko tubivuga: "Igito gitabwa iwabo". Nta handi iwacu dufise kuri iyi si atari aha mu Burundi.

26. Ikindi kimenyetso co kwikukira vy'ukuri ni uko uburongozi buba bwumva ico ari co ugushira imbere ineza y'umwenegihugu kugira na we aterere mu bimwega.
Ni co gituma kuri iyi ntambwe tugezeko, aho tumariye kwiyubakira ibwirizwa shingiro ritunganya ubutegetsi bw'Igihugu n'ingene bukoreshwa ata munyamahanga aduhagaze ku gakanu, twaciye twita inzego z'igihugu Reta mvyeyi.
Abarongozi na bo basabwa kugendera iryo banga rya Reta kuko ni bo bayiserukira. Umutumwa nawe ashikiriza ijambo rya shebuja, agakora ivyo yamutumye.
Bamenye ko Reta ijejwe gutunganiriza abenegihugu, iryo banga

nibaryumeko.

27. Ukwikukira kandi ni ukwemera kwiyubaka, ukwumva ko ingeso y'urugo itubaka urundi.
Ni ukwumva ko utokwama uzera inze muri vyose.
Ivyo vyose nta na kimwe gishoboka umwenegihugu, umwe wese ataratahura ko abwirizwa kugira ico akoze kugira ngo bikunde yimbure, yibesheho, umusesekara nawo uje kw'isoko, gurtyo aronke uburyo bumutuma yikenura, yongere atange amatagisi atuma uburongozi bw'Igihugu butunganya imigambi minini ikorwa ku neza ya twese.

28. Umwenegihugu amaze gutahura uruhara rwiwe mu gihugu, indongozi nyene zikavyumva uko, ni ho rero twoheza tukanezerwa, tuvuga tuti: "Twarikukiye", maze tukiginana bikwiye, kuko Intahe y'ukwikukira iri mu minwe yacu nk'Abarundi, twibuka ko twayihabuje dutamye kandi ko yadukuye habi.
Tubitahuye uko, ni ho twoyibungabunga nk'amata y'abashitsi tuzi ko tuyanjanjweko ishobora kuduca mu myanya y'intoki, kuko Igihugu kiraryoha! Na cane cane ic'Uburundi kirimwo vyose.

29. Ukwikukira kandi si ukwiyubakirako nka nyabumba, haba namba, ni ukugira igihagararo mu bandi, ariko tukanka agasuzuguro.
Ni ukwugurura amarembo kugira abandi batumenye, bamenye amateka yacu, bamenye ico twobungura kuko isi ntisakaye, twese turi magiriranire.
Kanatsinda, turabivuga, "Nyamwigendako ntarimira impeshi"; kandi ngo "Umugabo umumwera ubwanwa bwaca akakumwera ubundi".
Iyo ni yo migenderanire twipfuza, atari imwe yo kutununuza, kutugira ikiraro canke kuturyanisha n'abagenzi.

***Barundi, Barundikazi,***
***Bagenzi b'Uburundi,***

30. Twahabuje intahe y'ukwikukira kuko twari twaragizwe abaja mu gihugu cacu aho twacurwa bufuni na buhoro, tugatuntura ku mutima atawe turirira kuko ata butungane no gusonera agateka ka muntu vyavugwa.

31. Ivyo vyose ni vyo vyari bikwiye kuduha icigwa, Umurundi wese agatahura, maze tukava ibuzimu tukaja ibuntu, tukihaya Igihugu cacu.
Murama mwibuka ko Imana yaduhaye Igihugu c'amata n'Ubuki. Ni co gituma n'ubu turavye nabi, bazoguma benyegeza kugira ngo tugume dusamaye barabe ko boduca mu ryahumye.

***Bavukanyi, Barundi benewacu!***

32. Umugera wo kutwankisha Igihugu, ari wo watumye twankana turi abavukanyi n'ubu hari Abarundi batarawuruka.
N'Ubu haracariho Abarundi baheza kuririmba ngo" Burundi bwacu, Burundi buhire"! Ngo "shinga icumu mu mashinga", ata n'umwanya uheze ukaza wumva bariko basabira Uburundi nyene amahano.
Kandi mwahura bagaca baririmba ngo "Rwagasore ni intwari, intwari mu rugamba, yaragwanye rugabo aratsinda umwansi".
Uwo mwansi ni uwuhe kandi uriko umuha impigi?!!.
Muca mwumva ko abakigwaye ingwara batewe n'ubukoroni yabatwaye ubwenge bakaba abiyorobetsi bakorera umukoloni mu rwenge.

33. Hariho n'abandi utazokwumva batyoza Igihugu cabo, ariko bakagendera ku ntumbero ya gikoloni.
Abo ni barya bagishira imbere amacakubiri yaba ay'ubwoko, intara, imigambwe n'ibindi bituma abantu batumvikana.

Ico mwomenya, ni uko amacakubiri ayo ari yo yose akurikira akarangamutima gikoloni, kuko mu gikoroni ni ho bakoresha amayeri yo gucanishamwo abenegihugu kugira babatware ivyabo babona.

34. Abandi bakiri mu karangamutima gikoroni ni Abarundi bakigwanira ivyicaro aho kunyinyanira ibikorwa, bakanyinyanira kurya ivy'abenegihugu.
Ku gihe c'abakoloni ni ho ivy'Igihugu vyaribwa benevyo babona ata co bari buvuge, kuko yari intwaro ya ryogoraduhure. N'ivyo ufise mu muryango warabitanga ngo urokore igufa. Ngo: "Zana amagi, zana amasoro" vyazanywe n'abakoroni. N'ubu Umurundi muto muto ntaragarura ubwenge ngo arye inkoko yiwe, aracakanguka ngo inkoko ni iy'abakuru.
Ubu rero aho tugeze, Umurundi wese niyumve ko abaye umurongozi abahindutse umusuku w'abenegihugu, ajejwe kubabungabungira ivyabo.

35. Aba gatatu bakigendera mu karangamutima k'igikoloni ni ibinebwe.
Mwese musanzwe muzi neza ko uwutigaburira atigaba, kanatsinda bavuga bati: "Ntawuharira n'uwumuhamba", kandi inzara n'inzaragiza birajana". None woba uriko urasega ukagira agateka gute? « Nta wushaka iteka atekeye mu vyatsi »
Uwushaka kuva mu vyara vy'ubukoloni, arakora akimbura hanyuma akigaburira.
Nagira ndabatangarize ko igihe cose Uburundi buzoba bugisaba imfashanyo, uwo mugozi w'ubukoroni uzoba ukituri mw'izosi.
None rero twisuzume, twibaze ko hari inyonzo duhetse ituma tudakura amaboko mu mpuzu ngo dukore nk'uko ibihugu biteye imbere benevyo bakoze bagatera imbere.

***Barundi, Barundikazi,***
***Bagenzi b'Uburundi,***

36. N'ubu naho tuguma duhanura kandi twigishanya, impinga yo kuvavanura n'akarangamutima k'ubukoloni iracari ndende ku Barundi bamwe bamwe.
Haracibonekeza agatima ko kwicara ngo umunyamahanga azobinkorera, haracariho abasiga iceyi Igihugu kugira amahanga avuge ko Abarundi vyabananiye kwitunganiriza ivyabo, ndetse haracariho n'abafise ka gatima kabi ko kuburabuza Abarundi.
Ariko ico kugumiza ku muzirikanyi, ni uko hageze ni haba hatararengerana ko twikura twebwe nyene mu gasuzuguro k'abanyamahanga.

37. Ubwa mbere ni ukwerekana neza ko Abarundi dushoboye.
Turashoboye kuko n'ikimenyamenya ni uko iyo Umurundi ashitse mu mahanga ari bitumwako mu buhinga, iyo ariko afasha abanyamahanga kubaronderera ubuzima bwiza haba mu magara y'abantu, mu mahinguriro, inyubakwa n'ibindi bibateza imbere.
Uwo mwete akoresha mu guteza imbere abanyamahanga kubera bamuhaye amahera, ariko iwabo akanka kubikora, ni vyo vyerekana ko abakoloni badufutanganijemwo umutima wo gukunda Igihugu, hanyuma dukunda amaronko, tuyarutisha Igihugu catuvyaye.
Burya umutima wo kudashimira uwakuramuye, ni wo ukura hanyuma mbere ugasanga urihekuye; ni wo uvyura umutima w'ubukoko, mu nyuma tugacika abacangero mu gihugu catwibarutse aho kwemera kucigura.

38. Uwo mutima wo kudashimira Igihugu caturamuye watumye n'abatagiye guteza imbere amahanga nabo baba abacangero mu gihugu cabo, bagashaka impembo ata co bahaye amaboko.
Aho naho bobanza bakiyumvira amahera bahembwa iyo ava.

Benshi baca bavuga ngo Reta nisabe imfashanyo, naho nyene kubera kutazirikana Igihugu ico ari co bibagira ko iyo mfashanyo iva mu bikorwa vy'abenegihugu b'ivyo bihugu.

Ni co gituma tubasaba nyabuna bumvire ikigongwe abo benegihugu b'abanyamahanga bafise ubwenge nk'ubwo Abarundi ariko bobo bakarara bicaye ngo baronke ikibatunga n'ico bafashisha Abarundi.

39. Abandi na bo bankiriza ibikorwa vy'Igihugu kugira bereke amahanga ko Uburundi butaragera kwikukira, ngo bwitunganirize imigambi iteza imbere Igihugu.

Abo rero bari bakwiye na bo nyene kumenya ko bacishijemwo ijisho Abarundi nabo riba ribaciyemwo.

40. Nitube maso rero. Dusuzume intambamyi zoba zitambitse imbere y'intahe y'ukwikukira, tuzikure mu nzira hatararengerana, ba mpemukendamuke ntibaduce mu ryahumye.

Tutabikoze uno musi, ejo tuzoba twacerewe, duhave twibuka "gutora ingegene imisure yagurutse". Kandi burya: "Wanka kugarura impene ikiri hafi yamara kurenga imirambi ukabira nka yo".

Twese hamwe, tujane mu rugamba turimwo rw'iterambere, gurtyo umwenegihugu wese aterere agacumu k'ubumwe, ukwo ni kwo kwikukira nyakwo.

***Barundi, Barundikazi,***
***Bagenzi b'Uburundi,***

41. Turahimbawe rero kubona turiko turahimbaza intahe y'ukwikukira, abenegihugu bari ku kivi, igihugu gitekanye, kiriko kiragarukana igihagararo n'agateka mu makungu.

Tuwuhimbaje kandi umwimbu mu burimyi n'ubworozi wagenze neza; kandi amakoperative y'abarimyi n'aborozi agenda yiyongera.

Muri make, tuwuhimbaje dufise ivyizigiro ko tuzoshika neza kuri rya hangiro rya Reta-mvyeyi Reta-nkozi: "Umunwa wose uronke ico

ufungura, umufuko na wo uronke amafaranga".
Tudaciye ku ruhande, duhimbaje uwu musi mukuru dufise ivyizigiro ko tugiye gukomeza Intahe y'ukwikukira mu kwigaba tukigaburira.

42. Ariko naho biri uko, nta vyama vyera ngo de, kuko tuwuhimbaje tukiri ku rugamba rwo kubandanya duhanganye n'ikiza ca Korona Virusi, kandi turiko turahangana n'ihindagurika ry'ibihe ryateye isibe cane cane mu kiyaya c'Imbo, aho abantu atari bake bari mu kangaratete.

43. Mfashe mbere kano kanya kugira ngo nkengurukire Abarundi benshi ku mutima wa kivukanyi badahengeshanya kwerekana mu guhana indaro no kugarukira ku bagize ivyo vyago.
Ico ni co kimenyetso cerekana ko Abarundi bariko baragaruka kw'itsitso muri wa mugenzo mwiza wo gushigikirana mu munezero no mu magorwa wamye uranga Abarundi.
Turashimiye abo bose bafashije kugira abo bateshejwe ivyabo babandanye babaho, aha twovuga nk'amashirahamwe y'Abarundi na mpuzamakungu yitanze atiziganya mu gufasha ico gikorwa.

Abo bose bakaba bariko batanga akarorero ko gufatana mu nda mw'isi, ataho bisa bisana n'agacinyizo.

***Barundi, Barundikazi,***
***Bagenzi b'Uburundi,***

44. Sinorangiza ntasubiye kwerekana ibimenyetso vyerekana ukwikukira kw'ukuri, kugira umwe wese amenye inyifato agira mu buzima bwiwe aho ari hose.

- Ikimenyetso ca mbere ni ukugira ubutegetsi bw'Igihugu bwubashwe kandi bufata ingingo kuko urugo rutagira umugabo ntakitarukengera. Ni co gituma dushimikira cane ku gukomeza

umutekano w’Igihugu n’abenegihugu, tukongera tugakomeza ubutungane mu gihugu, kugira ngo ntihagire uwigira bugabo bwigaba ngo ahonyore ku bandi.

- Ikimenyetso ca kabiri, intwaro ibereye kuko ni yo ituma umwenegihugu wese yiyumva mu gihugu ciwe. Muri iyo ntumbero, ku kijanye n’integuro y’amafaranga Reta ikoresha ku mwaka, hagiye kubanza gushirwa imbere imigambi mikuru mikuru, n’ivyihuta kugira ngo bibanze gutegurwa neza, hajeho n’ubuhinga bwa none bwo gukurikirana ingene uburyo busohotse bukoreshwa, habeho no gukwirikirana neza ko ivyateguwe vyakozwe neza, ku buryo buke, gurtyo herekannwe n’umwimbu canke ibikorwa bigagaraga vyakozwe nk’uko vyateguwe.
- Ikimenyetso ca gatatu ni ubumwe no gushira hamwe kw’abenegihugu. Ni co gituma Reta iriho kugira ngo yungire ubumwe abenegihugu bose.
- Ica kane ni ukwigaba ukongera ukigaburira, ukavavanura no kuzera inze.
- Ica gatanu kugira izina mu makungu, ukivugira. Ivyo na vyo vyerekanwa n’inyifato y’umwenegihugu wese imbere y’abanyamahanga.

45. Twipfuza rero ko Umurundi wese yozirikana uruhara rwiwe mu buzima bw’igihugu, akabigendera, kuko ni wo mushinge w’ukwikukira.
Ni muri iyo ntumbero, turiko turakangurira indongozi zo mu mice yose kuzirikana no gukundisha Igihugu, hamwe n’intwaro ibereye.
Aha duhamagarira indongozi zose kugendera abenegihugu, bababere akarorero koko, gurtyo Uburundi busamirane mu makungu nk’Igihugu camenye neza kurongora abenegihugu ku neza yabo.

46. Muri Reta kandi, turiko turashira mu ngiro wa mugambi mukuru w'iterambere w'imyaka cumi 2018- 2027, na wo akaba ata

kindi utumbereye atari uko Umurundi wese agira ubuzima bwiza, agatunga, agatunganirwa mu vyiwe no mu biwe.

47. Turiko turafasha kandi bimwe biboneka kunywanisha Abarundi, inyuma y'amabi yashikiye Uburundi kubera ingaruka mbi z'igikoloni.

Kubera ukuri kuriko kuraja ahabona guteye ubwoba n'agahinda, turasaba ko Umurundi wese yigumya, tukaremeshanya tuzi ko ayo mabi atazogaruka mu gihugu cacu, kuko ni akamaramaza ku burongozi.

48. Kuri jewe ndaremesha Abarundi ndababwira ko birya vyabaye ari ibara, ko igihe cose Demokarasi izoba yiganje mu Burundi ko iryo bara ritazosubira kugwa. Imana irambera icagiriji.

Ivyo ndabivuga ndabikuye ku mutima kuko nta hantu hari uburongozi bw'Igihugu nyabwo hoba ubwicanyi nka burya, kiretse abantu bose bacitse ibikoko.

49. Ntihagire rero abagira umutima uhagaze ngo bizosubira, kandi ntihagire n'abagira ubwoba ngo bazohava bagwa mu mporero.

Nta muntu yemerewe kwihora, kuko n'ijambo ry'imana tugenderako rirabitwihaniza riti: “Ntuze wihore, kandi ntuze ugirire inzigo abantu b'Igihugu cawe, ahubwo urakunda mugenzawe nk'uko wikunda wewe nyene” ( Soma mu gitabu ca bene Levi 19:18)

Uburongozi kandi buriko burerekana ko Uburundi nabwo bufise igihagararo kandi bufise ico bumariye amakungu mu kugarukana umutekano aho wabuze no mu kugwanya iterabwoba kw'isi.

50. Ku ruhande rw'abandi benegihugu, biraboneka ko Abarundi bamaze gutangura kugaragaza wa mutima wo gukunda Igihugu, baba abari mu gihugu canke abari mu mahanga.

Tukaba dushimira cane cane Abarundi bariko barahesha agateka Igihugu mu vyo bakorera hanze, haba abaronzi canke abahiganwa mu mice inyuranye.

51. Turashima kandi ko n'impunzi ziriko ziratahuka ku bwinshi, dutera akamo n'abandi batarataha tubibutsa ko uwutaha iwabo atawe arinda kubisaba kuko ari uburenganzira bwiwe ntaharirizwa; na kare ngo: "Akarenge kaja iyo kavuka ntigahandwa".
Ni mube ba karadiridimba kuko muri abana baja iwabo, natwe abari aha tubarindiranye urukundo n'igishika.

***Bavukanyi;***
***Barundi;***
***Barundikazi;***
***Ncuti z'Uburundi;***

52. Imbere yo kurangiza iri jambo, nashaka gusubira kwibutsa amakungu amabi y'ubukoloni n'ingaruka vyazaniye abahuye na vyo kugira na bo tubitegere kumwe, hanyuma tujane mu gusubiza mu buryo ingorane twebwe dufise.
Ubukoroni ni ubwicanyi mu bundi bwicanyi bukorerwa kiremwa muntu.

53. Uretse muri Afrika no mu yindi migabane y'isi, Uburundi bwarafutanye kandi cari igihugu cifashe. Cari igihugu giteye imbere haba mu burimyi, ubworozi, ndetse n'ubudandaji n'amahinguriro.
Iyo tudahura n'ayo mahano, Uburundi kiba ari igihugu giteye imbere cane mugabo canyoshwe n'ubukoroni.
Mbere ku Burundi hoho, ubwo bukoroni ntikwabaye kutuzingamika gusa, ahubwo bwaradupfunyije mu buzima bwose bw'Igihugu kuko bwaduciyemwo imice, abantu baricwa, barangazwa, none n'ubu ntituratoha.

54. Uno musi harageze nihaba haterengeranye ko natwe mu Burundi tugira agahengwe, turuhuke iyo ntuntu twama twinovora ibindi bihugu biriko biratoha.
Amakungu natwumve areke kubandanya aha impigi Abarundi bari mu kwaha kw'abateye ayo mahano mu Burundi.

Ubu turi mu bihe vyo kwisanasana, amakungu yari akwiye kuduherekeza muri iyo nzira mu kurindira ko adushumbusha.
Ahandi hoho kwoba ari ukudukora mu nkovu.

55. Turasavye ishirahamwe ONU ko ryokwibuka ko igihe Ububiligi bwazana amacakubiri mu Burundi, bwakorera mu kwaha kwa ONU hanyuma, kumwe babigira I Berlin mu kuja inama yo kwigarurira ibihugu bitobito, abe ari ko baja inama, badufate mu mugongo, aho kutunyikiza, badufashe dusanurire hamwe ivyasambuwe kubera ayo macakubiri.
Eka n'Ubudagi nibwibuke, kuko ni bwo bwadukwegeye ingwano ya mbere mu gihugu c'Uburundi butako buratunyaga ivyacu, ndetse n'ibitungwa birimwo.
Abo bose tubahamagarira kudufata mu mugongo kuko iyo butaba ubukoroni, ibimenyetso vyinshi birerekana ko Uburundi buba ari Igihugu cifashe kuko n'ico gihe bwari bwifashe.

56. Amahanga n'adufate mu mugongo, adushigikire ku ntambwe tugezeko yo kwiteza imbere. Ntitworeka no kubashimira ko baducishije ubwenge, igihe bahagarika imfashanyo muri 2015, tukibako, tugaterera amatora ata mfashanyo mvamakungu kandi bikagenda neza.
Uno musi umwizero ni munini cane, n'ikimenyamenya, ejo aho bukera Uburundi buca bwakira abashitsi b'iteka, incuti zidasanzwe baje kudushigikira muri uyu musi mukuru.
Turashima n'ibanki y'isi kw'ishaka batweretse yo gushigikira Uburundi mu migambi burimwo.

57. Turashima kandi intambwe ibiganiro hagati ya Reta y'Uburundi n'ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Buraya bigezeko n'ishaka tubona ivyo bihugu bifise ryo gusubiza hamwe natwe. Tubasaba kudahesha, ngo bahave batuzanira amananiza.

58. Muri iyi myaka itandatu Uburundi bumaze bwitunganiriza ibijanye n'uburyo igihugu gikenera, biribonekeza ko abadufata mu mugongo bagarutse basanga dushitse ku ntambwe ikomeye yo kwitunganiriza ivyacu, inzara twarayigwanije bimwe biboneka kandi tukiriko.

59. Ku bijanye n'ikiza Korona virusi ntidukekeranya ko turi mu bihugu vya mbere kw'isi vyashoboye guhangana na co, haba mu kugikinga canke kukigwanya.

Ivyo vyose n' ibimenyetso vyerekena ko Uburundi bugeze ku ntambwe ishimishije mu kwitunganiriza ivyabwo. Dusaba amakungu kudushigikira kugira ngo dutere izindi ntambwe turi kumwe twese nakare abadasezeranye ntibajana.

Ntidushaka kubaruhisha ngo muje imbere dukurikire, ahubwo dufatane ku bitugu nk'abagenzi, tubereke ivyo turimwo iwacu, namwe mudushigikire.

Tubasaba ko twoja hamwe nk'abavukanyi, turonderere hamwe amahoro n'iterambere rya kiremwa muntu, haba i Burundi canke mu bindi bihugu.

60. Mu kurangiza, bavukanyi, nashaka kumenyesha Abarundi ko Ubugabo bwihabwa; tube akarorero, mu gukunda no gukorera igihugu, gurtyo n'umunyamahanga azotwubaha kuko twiyubahirije.

None rero nimuze dukomeze gufatana mu nda, dukore dushize hamwe nk'inzuki mu muzinga, twubake Igihugu tutameze nk'abacangero, ahubwo turi abenegihugu babushitse.

***Niharambe Uburundi n'Abarundi,***
***Niharambe Ukwikukira kw'Igihugu cacu,***
***Imana Ibahezagire,***
***Murakoze.***


UNITÉ - TRAVAIL - PROGRÈS



REPUBURIKA Y'UBURUNDI
IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU
KWA NTARE